REPUBULIKA Y'UBURUNDI

UBUSHIKIRANGANJI BW'IKIGEGA CA RETA NO GUTUNGANYA UBUTUNZI BW'IGIHUGU

IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI

UKUMENYESHA IVYARANGUWE N'UBUSHIKIRANGANJI BW'IKIGEGA CA RETA NO GUTUNGANYA UBUTUNZI BW'IGIHUGU MU GICE CA MBERE C'UMWAKA 2021-2022

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro itegeko n°100/069 ryo kuwa 24 Nyakanga 2020 rishiraho ibikorwa, hamwe n'indinganizo vy'Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Reta no Gutunganya Ubutunzi bw'Igihugu na cane cane igikorwa nyamukuru bujejwe co kwegeranya uburyo igihugu gikenera, bwaba ubuva mu mikoro igihugu gisanzwe gifise canke ubuva hanze y'igihugu ; kugira ngo imigambi ya Reta ishikweko biciye mu gutegura canke guhagararira ikoreshwa neza ry'amafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka hatibagiwe no kuyavyaza iyindi misaruro,

Muri kino gice ca mbere c'umwaka 2021/2022, ngibi ibikorwa nyamukuru vyararanguwe ku rwego rw'ubushikiranganji bujejewe ikigega ca Reta nyezina hamwe no ku rwego rw'ibisata bibukukira.

I. KWEGERANYA UBURYO IGIHUGU GIKORESHA

Iki kigabane kigizwe n'amafaranga igihugu cegeranya mu mikoro gisanganywe hamwe n'ayava mu basanzwe basahiriza Uburundi mu migambi y'iterambere.

I.1. Amafaranga Reta yegeranije mu mikoro igihugu gisanzwe gifise

Ku mafaranga angana n'imiriyaridi 588,84 y'amafaranga y'amarundi yari yitezwe kwegeranywa mu gice ca mbere c'uyu mwaka wa 2021-2022, igihugu cegeranije ; biciye mu kigo OBR amafaranga angana **imiriyaridi 642,34**

y'amarundi , ni ukuvuga ko tugeze ku bice 109% w'ayari yitezwe kwegeranywa.

I.2. **Amafaranga igihugu cegeranije biciye mu basanzwe basahiriza igihugu mu migambi y'iterambere**

Igihugu, biciye mu bushikiranganji bw'ikigega ca Reta , bwarashize umukono ku masezerano yo gufashanya n'Ibanki y'iterambere rya Afrika ry'amafaranga agera kuri **miliyoni 20 za UC** ; n'Umuryango w'ibihugu vya Buraya amafaranga agera kuri **miliyoni 17.670.000 z'ama Euro**, n'Ibanki y'Isi amafaranga agera kuri **miliyoni 80 z'amanyamerika**.

Vyongeye, harabaye n'amasezerano hagati y'Uburundi n'Ikigega Mpuzamakungu FMI yo guha Uburundi ingurane ku nyungu itavuna y'amafaranga angana na miliyoni **76,2 z'amanyamerika**, Uburundi bwongera buhabwa, kimwe n'ibindi bihugu bihurikiye muri ico kigega, amafaranga angana na **Miliyoni 211,5 z'amanyamerika**

II. Ingene amafaranga ya Reta yakoreshejwe muri kino gice ca mbere ca 2021-2022

Muri kino gice ca mbere c'umwaka wa 2021-2022, ku mafaranga yari ategekanijwe gukoreshwa ni **1 266 298 034 351 y'amarundi**, hakoreshejwe ayashika kuri **493 116 304 172 y'amarundi** nukuvuga ibice **38,9%.** Twomenyesha ko ibi bitigiri vy'amafaranga amaze gukoreshwa bitaharuwemwo ingabire hamwe n'izindi ngurane.

II.1. Ayakoreshejwe mu mishahara y 'abakozi ba Reta ni **48,6%.** Ni ukuvuga ko ku mafaranga yari ategekanirijwe imishahara angana na **499 552 097 865 y'amarundi** hakoreshejwe **242 704 167 610 y'amarundi**. Tuboneyeho n'akaryo ko kumenyesha ko abakozi ba Reta bahembwe ku gihe.

II.2. Amafaranga yakoreshejwe mu bindi vyankenerwa vya Reta ni **48,1%.** ku mpera z'igice ca mbere ca 2021-2022. Ni ukuvuga ko ku mafaranga angana na **132 243 293 507 y'amarundi** abiteguriwe, hakoreshejwe **63 625 363 248** y'amarundi muri kino kiringo turiko turavuga.

II.3. Nayo ku mafaranga yakoreshejwe n'ibisata vya Reta ni **44,4%** : ku mpera z'igice ca mbere ca 2021-2022. Bisigura ko ku mafaranga angana na **341 276**

048 257 FBU y'amarundi abitegekanirijwe, hamaze gukoreshwa **151 452 423 933 y'amarundi.**

II.4. Amafaranga yakoreshejwe mu migambi y'iterambere gushika ku mpera z'igice ca mbere ca 2021-2022 angana na **12,1%.** Ivyo bitigiri vyabaye bito kubera intambuko zategerezwa gukikizwa mw'itangwa ry' amasoko ya Reta.

Bisigura ko ku mafaranga **293 226 594 722 y'amarundi** yari abitegekanirijwe, hakoreshejwe ayangana na **35 334 349 381 y'amarundi**.

III. Ibindi vyaranguwe

1. Igikorwa co gusansuma amatungo yegukira Reta agizwe n'inyubakwa n'amatongo, cararanguwe kandi n'ivyegeranyo birahari.
2. Ubushikiranganji buza bwararondeye umuhinga ku rwego rw'igihugu azofasha umugwi ujejwe gutororokanya ibisata umugambi w'igihugu ujejwe iterambere PND 2018-2027 ushimikirako, ubwo bushikiranganji bwarongeye buratunganya uruganda rwo gutororokanya ivyoshimikirwako kurusha ibindi muri rino shirwa mu ngiro ry'uwo mugambi w'igihugu ujejwe iterambere hisunzwe ibitigiri bitangwa na ISTEEBU.
3. Icegeranyo c'ivyaranguwe hakurikijwe ibiri mu gitabu c'imigambi y' iterambere ry'igihugu mumwaka wa 2020-2021 (PIP 2020-2021) caraherahejwe nayo uruganda rwo rwutanguza icese ibikorwa vyo gutunganya igitabu c'imigambi y'iterembere ry'igihugu ku myaka 2022-2025(PIP 2022-2025) kandi ico cegerano kirahari.
4. Haratunganijwe integuro y'itegeko rigenga itunganywa ry'amafaranga Reta yakoresheje mu mwaka wa 2019-2020 vyongeye Sentare ijejwe gukurikirana ikoreshwa ry'itunga rya Reta yarashikirijwe ivyegeranyo.
5. Nayo kuvyerekeye amasoko ya Reta, amasoko agera ku 480 ategekanijwe gusuzumwa mu mwaka wa 2021-2022, hamaze gusuzumwa ayagera kuri 199.
6. Ubushikirangani bwarabandanije iigenderanire n'abasahiriza Uburundi mu migambi y'iterambere bwongera buranakurikirana ishirwa mu ngiro ry'imigambi y'iterambere yafashwe mu mugongo nabo: amanama

yaratunganijwe hakurikijwe ubuhinga ngurukanabumenyi mu ntumbero yo kuraba intambwe iyo migambi igezeko.

7. Ku bijanye na rusansuma rusangi y'abenegihugu, uburaro, uburimyi n'ubworozi itegekanijwe muri 2022, Ubushikiranganji bwaratunganije ikiganiro n'abasahiriza Uburundi mu migambi y'iterambere mu ntumbero yo guhanahana ivyiyumviro kubijanye n'uburyo buzokora muri iyo rusansuma.

8. Ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta bwaratunganije inama ya 58 y'Abashikiranganji bajejwe Gutunganya Ubutunzi b'ibihugu vya Afrika bihurikiye mu mugwi w'Ibanki y'Isi n'Ikigega Mpuzamakungu.

9. Nayo kuvyerekeye uguhimiriza babakozi ba Reta ngo barwanye igiturire hamwe n'ukunyonyeza itunga ry'igihugu, ubushikiranganji bwaratunganirije umwiherero abasanzwe begwa n'ikoreshwa ry'amafaranga y'igihugu bo mu nzego zitandukanye. Hari mu kwezi kwa Nyakanga 2021.

10. Hari n'iyindi myimbu ishimishije yashitsweko mu Bushikiranganji (ibiro bijejwe ubugenduzi miri ubwo bushikiranganji, ubuyobozi bw'ubuhinga ngurukanabumenyi, ubuyobozi bukuru bw'ubutunzi bw'igihugu, ubuyobozi bukuru bw'ikigega ca Leta no kwegeranya amakori n'amatagisi, ubuyobozi bukuru bw'itunganywa ry'ubutunzi bw'igihugu ; ubuyobozi bukuru bujejwe abakozi n'akazi, ubuyobozi bukuru bukurikirana irangurwa ry'imigambi ya Leta, ubuyobozi ku rwego rw'igihugu bukurikirana amasoko ya Leta) eka mbere no mu bisata bikukira ubushikirangaanji aruvyo **(ARCA,OBR,ARMP, ISTEEBU,ARCP na FIGA).**

11. Ikigo OBR caratunganije amasekeza agera kuri 29 ajanya no guhimiriza abatangakori. Hariho n'ibindi bikorwa vyo kugaruza amafaranga igihugu cari guhomba kubera urudandazwa rwo mu kinywabi, hakaba hagurujwe ayagera kuri **1 315 761 195 y'amarundi.**

12. Vyongeye hari n'ibindi bikorwa vyaranguwe bijanye no kwegeranya, gukora amadosiye ari mu matati afatiye kw'itegeko rijanye n'ubwishingizi hongera hararangurwa ibikorwa vyo gukarihiriza ubwenge abegwa

n'ivyamasoko ya Reta ku bijanye n'itegeko ryahinyanyuwe rigenga amasoko ya Reta no kubijanye n'ishirwa mu ngiro ryayo.

13. Harongeye haratunganywa ibikorwa vyo gusuzuma ishirwa mu ngiro ry'amasezerano hagati y'ibisata vya Reta n'ibisata vyigenga.

14. Twomenyesha ko urwego rwa FIGA rwatunganije uruganda ku bijanye n'ubuhinga bwo gusahiriza imigambi y'iterambere.

15. Nayo kubijanye no gukurikirana uko imirimo ya misi yose irangurwa mu bushikiranganji eka mbere no mu bisata bibukukira, haratunganijwe haratunganijwe amanama ku bayobozi bakuru n'abayobozi b'izo nzego zose, hongera haratunganywa ingendo z'akazi kandi n'ivyegeranyo vyaratunganijwe hatibagiwe ibiganiro ku bamenyeshamakuru bijanye n'ibirangurwa n'Ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta.

Vyongeye, ibirangurwa mu Bushikiranganji ntivyama ari ibishobora gukorwako n'iminwe ariko biranabonekera mw'iyinjizwa ry'amafaranga hamwe no gusahiriza imigambi y'iterambere ishirwa mu ngiro n'ibisata bitandukanye. Ariko twihweje ivyaranguwe muri kino gice ca mbere c'umwaka wa 2021-2022, twonashobora kuvuga ko intambwe ishimishije.

Mu gusozera, Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Reta no Gutunganya Ubutunzi bw'Igihugu buzobandanya gukora impinyanyuro zituma ubutunzi bw'igihugu bwiyongera.

Bisubiye, Ubushikiranganji buzobandanya kunagura ikoreshwa ry'itunga ry'igihugu mu ntumbero yuko iryo tunga rikoreshwa ku neza ya benegihugu bose, atanumwe avuyemwo.

Kanatsinda, Ubushikiranganji buramenyesha ko hariho inumero yashizweho mu ntumbero yo gutanga akaryo k'umwenegihugu wese ko gushikiriza akamubakiye. Iyo numero ni iyi 77 531 005, ikaba ikoreshwa ku butumwa busanzwe bwo kuri whatsap kandi Umushikiranganji ubwiwe niwe asoma ubwo butumwa.